# ITANGAZO RY'IMIGAMBWE ITARI KU BUTEGETSI KU BIJANYE N'UBUSUMA BWARANZE AMATORA

Imigambwe itari ku butegetsi iriyamirije ivyavuye mu matora y'abajenama b'amakomine kubera yaranzwe n'ubusuma bwinshi be n'ingendo zitandukanye n'amategeko y'amatora. Iyo migambwe imenyesheje ibi bikurikira :

1. Iyo migambwe irafise ivyemezo bihagije ku bijanye n'ubwo busuma n'ingendo itabereye yaranze ayo matora.

2. Iyo migambwe isavye umurwi CENI ko wofata ingingo itunganye yo gufuta ivyavuye muri aya matora.

3. Iyo migambwe kandi isavye umurwi CENI ko wosubira gutunganya ukundi gusha amatora y'abajenama b'amakomine akabera umusi umwe n'amatora y'umukuru w'igihugu.

4. Iyo migambwe iranse kuzosubira gukoresha amakarata y'amatora ahari ubu mu matora azokurikira yose. Iyo migambwe isavye ko ishirahamwe rikora amakarata y'itora ryohindurwa, isoko ryo kuyakora rigahabwa ishirahamwe ryo ngaha mu Burundi.

5. Imigambwe iramenyesheje y'uko mu gihe CENI yokwica amatwi hazofatwa izindi ngingo zikwiriye.

6. Iyo migambwe iramenyesheje abanywanyi bayo n'abarundi bose ko boguma batekanye muri kino gihe. Turazi ko imigambwe muhurikiyemwo mwari mwayihunze amajwi. Ivyo bibazo twiyemeje kubikurikirana gushika bitorewe umuti.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 25 Rusama 2010

Imigambwe iteye igikumu :